**IJAMBO PAPA FRANSISKO ASHIKIRIJE ABAKRISTU BO KW'ISI YOSE, KU MUSI MPUZAMAKUNGU WAHARIWE UBUTUMWA BWO GUKWIZA HOSE INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU**

***20 Gitugutu 2024***

***« Gende muhamagare abantu bose baze mu bugeni »***
*(Matayo 22, 9)*

Bavukanyi,
Kuri uyu munsi mpuzamakungu w'uno mwaka wahariwe kumenyesha Inkuru Nziza, nahisemwo icivugo cisunga umugani w'Inkuru Nziza utuyagira abatumiwe mu bugeni *(*Raba Matayo 22, 1-14*).* Inyuma yaho abatumire bankiye ubutumire, umwami avugwa muri uyo mugani, yabwiye abasuku biwe ati: «Gende rero mu mahwane y'inzira, muhamagare abo mubona bose baze mu bugeni» *(*Matayo 22,9*).* Tuzirikanye dufatiye kuri iryo jambo-nshimikiro, tukaraba uyo mugani n'ubuzima bwa Yezu, turashobora gukuramwo ibintu bimwe bimwe bihambaye twoshimikirako mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza. Kuri twebwe abigishwa-batumwa ba Kristu, ivyo bintu biguma ari bishasha cane cane muri kino kiringo ca nyuma turimwo c'inama nsangiza ngendo y'Abepiskopi, ifatiye ku civugo *c'isangiramutima, ukwitanga n'ubutumwa,* kibwirizwa gukirurutsa Ekleziya mu ruhara rwayo ntasubirizwa rwo kumenyesha Inkuru Nziza mu gihe ca none.

1. ***« Gende kandi mutumire ». Ubutumwa nk'igikorwa co kugenda no guhamagara ubudahengeshanya mu bugeni bw'Umukama***

Imbere ya vyose, mu vyo umwami abwiriza abasuku biwe, turabona amavuga abiri aserura umutima w'ubutumwa: « Gende, mwongere muhamagare » ni ukuvuga mutumire.

Ku vyerekeye irivuga rya mbere, twibuke ko abasuku bari babanje kurungikwa gutanga ubutumwa bw'umwami ku batumire (Raba Matayo 22, 3-4). Ivyo biratwereka ko ubutumwa ari kugenda ubudahengeshanya ugana zina muntu wese umutumirira guhura no kunywana n'Imana. Iyo Mana Mutarambirwa kandi yuzuye urukundo n'ikigongwe ntihengeshanya kugana umuntu imuhamagarira ubuhirwe bw'Ubwami bwayo naho yoba sindabibazwa canke akagagaza. Na Yezu Kristu, umwungere mwiza akaba n'intumwa ya Data, yaguma arondera intama zatakaye z'umuryango w'Israyeli ndetse n'izazimiye (Raba Yohani 10, 16).

Imbere n'inyuma y'izuka ryiwe,abwira abigishwa biwe ati: « Gende! », akabasangiza ubutumwa bwiwe (Raba Luka10, 3; Mariko 16, 15).

Nico gituma n'Ekleziya idahengeshanya gukwira isi yose itarambirwa kandi idacika intege mu ngorane no mu ntambamyi, mu kurangura nk'uko bikwiye ubutumwa yahawe n'Umukama.

Mfashe kano kanya ngo nkengurukire abamisiyonari, abagabo n'abagore, bo mu kwitabira akamo ka Kristu, bahevye vyose maze bakagenda kure y'ibihugu vyabo vy'amavukiro , batwaye Inkuru Nziza aho abantu batari bwayumve canke bayakiriye vuba. Bakunzi banje, ukwitanga kwanyu kuragaragaza urukundo n'umwitwarariko mufitiye ubutumwa bwerekeza ku makungu, Yezu yasigaranye abigishwa biwe aho yagira ati: « Gende rero! mugire abigishwa abantu bo mu makungu yose » (Raba Matayo 28, 19). Ntiduhengeshanye rero gusenga twongera dukengurukira Imana ku mihamagaro mishasha kandi myinshi y'abamisiyonari, ku gikorwa co kumenyesha Inkuru Nziza kibandanya gushika ku mpera y'isi. Ntitwibagire kandi ko umukristu wese ahamagariwe kugira uruhara muri ubwo butumwa bukwiye kw'isi yose, mu gushingira intahe Inkuru Nziza aho hose abaye, kugira ngo Ekleziya yose ntihengeshanye kugenda, iri kumwe n'Umukama akaba n'Umwigisha, igana « amahwane y''inzira » z'isi ya none. Ni ivy'ukuri, "uyu munsi, ikibabaje muri Ekleziya ni uko Yezu ari muri Ekleziya aguma adodora yipfuza gusohoka, mugabo ntitumureke ngo asohoke! Akatari gake, tukaruhira kubana Ekleziya yigungana Umukama « nk'ikintu cayo bwite » ntitumureke ngo asohoke kandi ari co camuzanye, akongera akaba yipfuza ko natwe tuba abamisiyonari (*Ijambo ryashikirijwe abari mw'ihwaniro ry'Igisata ca Papa kijejwe abalayike, imiryango n'ubuzima, igenekerezo rya 18 ruhuhuma 2023*). Twebwe twese, ababatijwe twikazanure kandi, umwe wese uko abishoboye, dusubire dukabure muri twebwe umutima w'ubumisiyonari nka kumwe vyaba mu ntango y'ubukristu.

Tugarutse kuri rya tegeko ry'umwami abwiriza abasuku muri uyu mugani, irivuga kugenda ribangabanganywe n'irivuga guhamagara canke gutumira: « Ni muze mu bugeni » (Raba Matayo 22, 4). Ivyo birerekana iyindi ntumbero y'ubutumwa idasanzwe Imana yatanze. Nk'uko umuntu yovyibaza, abo basuku barabangutse kumenyesha ubutumwa bw'umwami kandi babigirana ubwitonzi bwinshi n'urupfasoni. Ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza ikiremwa cose, butegerezwa kwisunga intumbero y'uwo bumenyesha.

Abigishwa-batumwa bamemyesha kw'isi « *ubwiza bw'urukundo rukiza rw'Imana rwibonekeje muri Yezu Kristu yapfuye akazuka* »[1].
Bakabikora buzuye akanyamuneza, ubwitonzi n'urupfasoni nk'ivyamwa bakesha Mutima Mweranda ababamwo (Raba Abanyagalati 5, 22); bakabirangura kandi ata gahato, ata kuremerwa, ata kugotesha abantu amayeri n'uruhendo, bakabigira igihe cose, biyegereza abantu n'impuhwe n'ubwitonzi bigaragaza akaranga k'Imana.

## 2. *Mu nzimano y'ubugeni. Ihindukira ry'Umukama yitanze mu Ukaristiya ni ryo hangiro ry'ubutumwa bwa Kristu n'Ekleziya.*

Muri uyu mugani, umwami abwira abasuku gutwara ubutumire bwo kuza mu bugeni bw'umuhungu wiwe. Iyo nzimano y'ubugeni ishushanya iy'umusi w'ihindukira ry'Umukama. Ni ingereranyo y'urukiza rwuzuye mu Bwami bw'Imana, bwatanguranye n'umuzo wa Yezu, Mesiya, Umwana w'Imana yaduhaye ubuzima bwuzuye (raba Yohani 10, 10). Ubwo buzima bwerekanwa n'umusi mukuru yatunganije urimwo inzimano z' « inyama zinuze n'umuvinyu ukatsuye igihe Imana izozimanganya urupfu ubutakigaruka » (raba Izaya 25, 6-8).
Igihe c'ubuzima buroranye Imana yageneye abantu catanguranye n'ubutumwa bwa Kristu, nk'uko we nyene yabitangaje agitangura kwigissha: « Igihe cashitse: ubwami bw'Imana buri hafi » (raba Mariko 1, 15). Ubwo butumwa bwa Kristu, Umwigisha wabo akaba n'Umukama, ni bwo n'abigishwa biwe bahamagariwe kubandanya. Reka twibukanye ingene Inama nkuru ya Vatikano ya kabiri itwigisha ukuntu ukwitanga kw'Ekleziya ngo Inkuru nziza ya Yezu-Kristu imenyekane hose, kwerekeza kw'ihindukira ry'umukama: « Igihe c'igikorwa c'ubumisiyonari tugisanga hagati y'amaza ya mbere y'Umukama n'ihindukira ryiwe (...). Kuko imbere y'amaza y'Umukama, Inkuru Nziza ibwirizwa kumenyeshwa mu makungu yose »[2] .

Turazi y'uko ubwira bwo kumenyesha Inkuru Nziza bw'abakristu ba mbere bwari bushimikiye cane ku maza y'Umukama. Bariyumvamwo ko kumenyesha Inkuru Nziza ari igikorwa cihutirwa. Uyu musi naho, birabereye ko tugumya mu muzirikanyi iyo ntumbero, kuko idufasha kumenyesha Inkuru Nziza mu kanyamuneza k'uwuzi ko Umukama ari hafi, no mu mwizero w'uwuzi ko agenda agana iryo hangiro ry'aho tuzoba twese turi kumwe na Kristu mu nzimano y'ubugeni bwo mu bwami bw'Ijuru.

[1] Raba ikete Akanyamuneza k'Inkuru nziza, n. 36
[2] Decr. Ad gentes, n. 9

Mu gihe isi tubayeko yerekeza abantu ku nzimano zitandukanye z'ukurya n'ukunywa uko bashaka, iz'ukwimerererwa neza atawunezwe uwundi, iz'ukurundarunda itunga, iz'ukwibako; Inkuru Nziza yoyo itumirira uwo ariwe wese inzimano y'Imana, irangwa n'akanyamuneza, ugusabikanya, ubutungane, umuvukano, mu bunywanyi n'Imana n'ubunywanyi n'abandi bantu.

Ubwo buzima bwuzuye, Kristu atanga, dutangura kubwakira mu nzimano ya Ukaristiya, Ekleziya ihimbaza nk'uko Umukama yayitegetse kubigira imwibuka. Ni uko rero, ubutumire dushikiriza umwe umwe mu kumenyesha Inkuru nziza, bwo kwisanga mu nzimano yo mw'ijuru, ntibutandukanywa n'ubutumire bwo ku meza y'Ukaristiya, aho Umukama adufungurira Ijambo ryiwe, umubiri wiwe n'amaraso yiwe. Nk'uko Papa Benedigito wa 16 yavyigishije, « ihimbazwa ry'Ukaristiya iryari ryo ryose rirarangura mu buryo bw'isakramentu, ukwegeranirizwa mu bumwe kw'igihugu c'Imana kuzoranguka rwose umusi w'ihindukira ry'Umukama. Mu nzimano y'Ukaristiya tuba twitangiye vy'ukuri gusangira ya nzimano y'umusi w'ihindukira ry'Umukama, abahanuzi bamenyesha (Raba Izaya 25, 6-9) kandi Ubwuzure Bushasha buvuga ko ari "ubugeni bw'umwagazi (Ivyahishuwe 19, 7-9) butegerezwa guhimbazwa mu kanyamuneza k'ubunywanyi n'aberanda »[3].

Ku bw'ivyo, turahamagariwe twese guhimbaza Ukaristiya tuzirikana insiguro yayo mu mfuruka zayo zose, na cane cane iy'uko itwerekeza kw'ihindukira ry'Umukama n'iy'uko idukaburira kuba abatumwa. Kuri ico, nsubiye kwibutsa ko "tudashobora kwegera ameza y'Ukaristiya tutemeye kwinjira muri iyo ntumbero y'ubutumwa, bushinze imizi mu mutima w'Imana nyene, ishaka gushikira abantu bose"4. Ugusubira guhurumbira Ukaristiya ama Ekleziya atari make ahimiriza muri kino kiringo c'inyuma y'ikiza ca *Covid*, kurahambaye mu gukabura umutima w'ubumisiyonari mu mukristu wese. Turakwiye kugira ukwemera gusumbirije n'ubwira bw'umutima, igihe, mu nkuka ya Misa, tuvuga duti: « *turemeza ugupfa kwawe, Mukama Yezu, kandi turashemeza Izuka ryawe, gushika aho uzogarukira mu buninahazw*a »!

Muri iyo ntumbero, muri uno mwaka waharíwe gusenga ngo twinjire muri Yubile y'imyaka 2025, ndahamagariye umwe umwe wese kwongereza inguvu, cane cane, kuja mu Nkuka ya misa no gusabira ubutumwa bw'Ekleziya bwo kumenyesha Inkuru Nziza. Mw'ihimbazwa ry'Ukaristiya be n'ayandi masabamana, iyo Ekleziya, mu kugamburuka Ijambo ry'Umukiza,

[3] exh.ap. post synodale Sacramentum caritatis, n. 31
[4] ibid., n. 84

ntihengeshanya kwerekeza ku Mana, igisabisho ca Dawe wa twese yongera isaba iti «Ubwami bwawe ni buze ».
Ni uko rero igisabisho ca misi yose, cane cane Ukaristiya, kitugira abatumwa b'umwizero, mu rugendo rugana ubuzima butagira iherezo mu Mana, kuri ya nzimano y'ubugeni Imana yateguriye abana bayo bose.

### 3. *« Bose ». Ubutumwa bw'abigishwa ba Kristu ku bantu bose hamwe n'umutima nsangizangendo w'Ekleziya, imenyesha hose Inkuru Nziza*

Iciyumviro ca gatatu ari naco ca nyuma cerekeye abo ubutumire bw'umwami bwerekeye: «Bose». Nk'uko nabivuze, ako kajambo ngo «bose» ni wo mutima w'ubutumwa. Ntawukumirwa. «Bose». Ubutumwa bwacu buvuka mu Mushaha wa Kristu We yiyegereza abantu bose[5.]

Uyu munsi kandi, muri ino si yatabaguwe n'amacakubiri n'indyane, Inkuru Nziza ya Kristu ni ijwi ryoroshe kandi rikomeye, rihamagarira abantu guhwana, kumenyana nk'abavukanyi no kunezererwa n'uko baroraniwe mu butandukane bwabo. Imana ishaka ko «abantu bose bokira bagashikira ubumenyi bw'ukuri » (Raba 1 Timote 2, 4). Ntitwibagire na rimwe, ko mu bikorwa vy'ubutumwa bwacu turungikwa kumenyesha Inkuru Nziza kuri bose, « tutameze nk'umuntu ategeka igikorwa gishasha, ariko nk'umuntu asangira akanyamuneza, yerekana ihangiro ryiza, atanga inzimano ihurumbirwa »[6].

Abigishwa-batumwa ba Kristu bamana igihe cose umwitwarariko w'abantu bose, haba mu vyo babayemyo canke bagenderamwo. Umugani w'inzimano y'ubugeni utubwira ko ku bw'itegeko ry'umwami, abasuku baciye begeranya « abo babonye bose, ababi n'abeza » (Raba Matayo 22, 10), cane cane, « abakene, abamugaye, impumyi n'abacumbagira» ( Raba Luka 14, 21). Bisigura ko abanyuma n'abakumirwa mu kibano ari bo batumire bahambaye b'umwami. Inzimano y'ubugeni bw'Umwana wayo Imana yateguye, iguma itegekanirijwe imisi yose abantu bose, kuko urukundo rwayo ku muntu uwo ariwe wese ari runini kandi ataco rurinda gusaba. « Kuko Imana yarakunze isi gushika aho itanga umwana wayo w'ikinege, kugira ngo uwumwemeye wese ntatakare ariko aronke ubuzima budahera» (Raba Yohani 3, 16). Uwo ariwe wese yaba umugabo canke umugore niwe ubutumire bw'Imana bwerekeye ngo basangire inema ihindura kandi ikiza. Igikenewe ni ukuvuga «ego» kuri iyo ngabire y'Imana, mu kuyakira no mu kureka ngo uhindurwe na yo, wiyambike agahuzu k'ubugeni (Raba Matayo 22, 12).

---

[5] Ijambo ryashikirijwe abari mu nama ya bose yerekeye Ibikorwa vya Papa, igenekerezo rya 3 ruheshi 2023
[6] Ikete akanyamuneza k'Inkuru nziza, n. 14

Ubutumwa kuri bose busaba kwitanga kuri umwe umwe wese. Birasabwa kubandanya iyo nzira yerekeza kuri Ekleziya yose irangwa n’umutima nsangizangendo kugira Inkuru Nziza imenyekane. Gusangira urugendo ubwavyo ni ubutumwa nk’uko n’ubutumwa bwama ari gusangira urugendo. Nico gituma haca hibonekeza ko ugufashanya mu butumwa, uyu musi vyihutirwa kandi ko ari nkenerwa muri Ekleziya ikwiye kw’isi yose eka no mu ma Ekleziya ashashe mu ma diyoseze. Mu ntumbero y’inama ya Vaticano ya kabiri n’ iyabo nasubiriye, nsavye ko amadiyoseze yose yo kw’isi yokwitwararika ibikorwa vya Papa vyo bigize uburyo nyamukuru «bwo kunyengetereza mu bakatolika, kuva mu bwana bwabo, umutima w’ubumisiyonari, kandi bituma hegeranywa imfashanyo igenewe ubutumwa, bivanye n’ivyo umwe umwe akenera»[7]. Ni co gituma ivyegeranijwe ku musi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa mu ma Ekleziya yose ashashe mu ma diyoseze, bigenewe uko vyakabaye, ikigega rusangi co gufashanya, maze Igikorwa ca Papa co gukwiza hose ukwemera kigaheza kigasabikanya kw’izina rya Papa, cisunze ibikenewe mu butumwa bw’Ekleziya. Dusabe Umukama ngo atuyobore yongere adufashe kuba Ekleziya irangwa n’umutima nsangizangendo mu butumwa bwayo[8].

Twerekeze amaso ku Muvyeyi wacu Bikira Mariya we yasavye akaronkera igitangaro ca mbere kwa Yezu, abari mu bugeni i Kana mu Bugalile (Raba Yohani 2, 1-12). Umukama yahaye abageni n’abatumire bose umuvinyu mushasha mwinshi, ikimenyetso-mburizi c’inzimano y’ubugeni Imana itegurira abantu bose mu gihe ca nyuma. Dusabe, uyu munsi kandi, ubukandizi-buvyeyi bwiwe ku butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza burangurwa n’abigishwa ba Kristu. N’akanyamuneza, n’umwitwarariko nk’Umuvyeyi wacu, n’inguvu z’uburwaneza n’igishika[9], dushikirize abantu bose ubutumire bw’umwami ariwe Mukiza. Mariya mweranda Nyenyeri iboneshereza abamenyesha Inkuru Nziza, dusabire!

*Bigiriwe i Roma, ku cicaro citiriwe Yohani Mweranda w’i Laterano,*
*igenekerezo rya 25 nzero 2024, ku musi mukuru w’ihinduka*
*rya Paulo mweranda.*

**Papa Fransisko**

---

*Vyahinduwe mu Kirundi n’Ibiro Ndemeshabutumwa bw’Ibikorwa vya Papa*
*vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi.*
*(Œuvres Pontificales missionnaires /Burundi)*

[7] Ingingo Ad gentes, n. 38
[8] Inyigisho yo mu misa yo gusozera inama ya bose isanzwe y’inama nsangizangendo y’abepiskopi, igenekerezo rya 29 gitugutu 2023
[9] Ikete akanyamuneza k’Inkuru nziza n. 288